**REPUBURIKA Y'UBURUNDI**

**IBIRO VY'UMUKURU W'IGIHUGU**

**Ubunyamabanga Bukuru bwa Reta**

## ITANGAZO N°14/2024 RY'INAMA Y'ABASHIKIRANGANJI YO KU WA GATATU IGENEKEREZO RYA 13 MUNYONYO 2024

Inama y'Abashikiranganji yarakoranye kuri uyu wa Gatatu igenekerezo rya 13 Munyonyo 2024, i Bujumbura, irongowe na Nyenicubahiro Umukuru w'Igihugu c'Uburundi, Jenerari Majoro Varisito NDAYISHIMIYE.

Nyenicubahiro Umukuru w'Igihugu ahejeje gushikiriza urutonde rw'ivyihwezwa muri iyo nama rukongera rukemezwa, yaciye aha umwanya Nyakwubahwa Umushikiranganji wa Mbere ngo ashikirize ivyavuye mu nama nteguza y'iyo nama nshikiranganji, yarongoye ku magenekerezo ya 08, na 11 Munyonyo 2024, ivyihwejwe na vyo bikaba ari ivyari ku rutonde rw'ivyigwa muri iyo nama nshikiranganji.

### 1. Igitabu ntunganyamigambi yo mu bushikiranganji bw'ikigega ca Reta, ubutunzi no gutunganya imigambi y'iterambere,

Cashikirijwe n'umushikiranganji w'ikigega ca Reta, ubutunzi no gutunganya imigambi



Iki gitabu cisunze ibindi bitabu fatiro nk' imbonakazoza y'igihugu cifashe mu mwaka wa 2040 giteye imbere mu mwaka wa 2060 hamwe n'umugambi mukuru w'igihugu w'iterambere wasubiwemwo.

Iki gitabu
- (i) Kirerekana ibibazo bikurubikuru biri mu bushikiranganji ;
- (ii) Kirerekana amahangiro n'ingene yoshikwako ;
- (iii) Kiratomora ibisata n'imigambi biza imbere mw'ishirwa mu ngiro ry'ibiri muri iki gitabu ntunganyamigambi ;
- (iv) Kiratomora ingene uburyo bukenewe mw'ishirwa mu ngiro ry'ibitegekanijwe n'iki gitabu buzoronderwa ;
- (v) Kiratomora ingene ishirwa mu ngiro ry'ibitegekanijwe rizokurikiranwa neza n'ingene rizosuzumwa ;
- (vi) Kirerekana ibizokwisungwa mu gusuzuma ivyashitsweko, ku mwaka ku mwaka.

Inama nshikiranganji imaze guca hirya no hino, iyo nteguro, yarayemeje ibanje kuyihinyanyura no kuyunganira.

### 2. Igitabu ntunganyamigambi yo mu bushikiranganji bw'intwaro yo hagati mu gihugu, iterambere rusangi n'umutekano,

Cashikirijwe n'umushikiranganji w'intwaro yo hagati mu gihugu, iterambere rusangi n'umutekano

Iki gitabu cisunze ibindi bitabu fatiro nk' imbonakazoza y'igihugu cifashe mu 2040, giteye imbere mu 2060 ; hamwe n'umugambi mukuru w'igihugu w'iterambere wasubiwemwo.

Amahangiro y'iki gitabu ni uguteza imbere ibijanye n'intwaro, gutunganya neza amakomine akaba isoko ry'iterambere no gukomeza umutekano kugira ngo dushike ku mbonakazoza y'igihugu cifashe mu mwaka wa 2040, giteye imbere mu mwaka wa 2060.
Ivyo ishirwa mu ngiro ry'ibitegekanywa n'iki gitabu ntunganyamigambi rishaka gushikako ni ibi bikurikira :
(1) Kwegereza intwaro abenegihugu ;
(2) Guteza imbere amakomine ;
(3) Gucungera umutekano w'abantu n'ivyabo ;
(4) Gukinga no guhangana n'ibiza n'isibe.

Inama nshikiranganji ihejeje guca hirya no hino iyi nteguro, ikanayunganira, yarayemeje.

## 3. Integuro y'ibwirizwa rihindura ibwirizwa n°1/09 ryo ku wa 13 Munyonyo 2020 ritunganya akazi ka Reta,

yashikirijwe n'umuhinga wo mu Biro vy'Umushikiranganji wa Mbere

Mw'ishirwa mu ngiro ry'impiduka zabaye mw'itunganywa ry'ubuzi bwa Reta, hisungwa ibintu bibiri bihambaye ari vyo : Imbonakazoza y'igihugu cifashe mu 2040, giteye imbere mu 2060 hamwe rero n'umugambi mukuru w'igihugu w'iterambere wasubiwemwo. Ivyo bitabu bibiri bishiraho iciyumviro ngenderwako co kwegereza ubutegetsi abenegihugu no kubatunganiriza neza mu vyo baza barakenera mu bisata vya Reta.



Ni muri iyo ntumbero hashizweho ibwirizwa ryo mu 2023 rishinga imbibe nshasha z'intara, amakomine, amazone, imitumba canke amakaritiye hamwe n'ibwirizwa ryo mu 2024 rigenga amakomine. Ariko rero twomenyesha ko gushika ubu, ubuzi bwa Reta bugengwa n'ibwirizwa ryo mu mwaka wa 2020.

Iryo bwirizwa rero rirafise utunenge kuko ritakiroranye n'ayo mabwirizwa abiri yandi twavuze, iryo rishinga imbibe nshaha z'intara, amakomine , amazone n'imitumba, hamwe n'iryo rigenga amakomine. Ni muri iyo ntumbero iyi nteguro yashikirijwe kugira ngo hajeho ibwirizwa ritunganya ubuzi bwa Reta rihuye n'imbonakazoza ya 2040-2060 yo kwegerezwa abanegihugu ibisata vya Reta.

Inama nshikiranganji imaze guca hirya no hino iyo nteguro, yarayemeje mu vyo yashikirije hakaba harimwo ko muri iyo ntumbero yo kwegereza ubutegetsi abenegihugu, ubushikiranganji bwose bwoba bufise ibisata bikorera mu ntara kandi abakozi babwo bagakurikiranirwa hafi na Buramatari.

## 4. Integuro y'itegeko rishinga rikongera rigatunganya Igisata kijejwe gukinga no gucungera ivyerekeye ikoreshwa ry'imishwarara iva mu butare bwa « uranium » ngaha mu Burundi,

Yashikirijwe n'Umuhinga wo mu biro vy'Umushikiranganji wa Mbere

Uburundi bwinjiye mu gisata mpuzamakungu kijejwe gukurikirana amasoko ntanganguvu ava mu butare ba « uranium » (Agence Internationale de l'Energie Atomique) mu mwaka wa 2009. Mu mwaka wa 2022,

ibwirizwa ritunganya ikoreshwa ry'amasoko ntanganguvu n'imishwarara biva mu butare bwa « uranium » ku buryo ata co bibangamira, ryarashizweko umukono.

Iryo bwirizwa riritegekanya ishirwaho ry'igisata kijejwe gukinga no gucungera ivyerekeye iyo mishwara ngaha mu Burundi. Iyi nteguro ije gushira mu ngiro ibitegekanijwe n'iryo bwirizwa. Mu vyo ishingwa ry'iki gisata rizofasha, harimwo gucungera ikoreshwa ry'iyo mishwarara mu bisata bitandukanye vy'igihugu kugira ngo ntihagire uwo vyobangamira.
Inama nshikiranganji imaze kwihweza iyo nteguro, yarayemeje ibanje kuyunganira no kuyitosora mu duce tumwetumwe.

## 5. Integuro y'itegeko rishinga rikongera rigatunganya Ihuriro ry'urwaruka mu Burundi,

yashikirijwe n'umushikiranganji w'imigabo n'imigambi y'umuryango wa EAC, urwarukwa, inkino n'imico kama

Urwaruka ni rwo rugize igice kinini c'Abarundi. Ico ni ikintu cokwisungwa mu vyerekeye iterambere canecane urwaruka rukurikiranywe neza. Ni muri iyo ntumbero mu mwaka wa 2004 hashinzwe Inama Nkuru y'igihugu y'urwaruka. Ariko nta mategeko ayigenga yigeze ajaho. Mu nyuma, vyarabonetse ko Inama Nkuru z'Igihugu zose zitegekanywa n'Ibwirizwa Shingiro.



Iyi nteguro rero ije gutorera inyishu ibintu bibiri:

(1) Gushiraho amategeko agenga ihuriro ry'urwaruka,

(2) Kwisunga ibwirizwa Shingiro, aho kwitwa "Inama nkuru y'Igihugu y'urwaruka", urwo rwego ruhurikiyemwo urwaruka rukitwa « Ihuriro ry'Urwaruka mu Burundi »

Inama nshikiranganji imaze kwihweza iyo nteguro yarayemeje ibanje kuyunganira no kuyihinyanyura muri bimwebimwe.

## 6. Integuro y'itegeko rishinga rikongera rigatunganya umugwi w'igihugu ujejwe gukurikirana ikwiragizwa ry'ubuhinga ngurukanabumenyi mu bisata vya Reta,

yashikirijwe n'umushikiranganji wo kumenyesha amakuru, ubuhinga bwa none n'ibimenyeshamakuru

Umugambi nyobozi wo gukwiragizwa ubuhinga ngurukanabumenyi mu bisata vya Reta urategekanya ishirwaho ry'umugwi w'igihugu ujejewe gukurikirana ikwiragizwa ry'ubuhinga ngurukanabumenyi muri ivyo bisata hamwe n'umugwi w'abahinga ukurikirana ishirwa mu ngiro ry'uwo mugambi.

Uwo mugwi w'igihugu ni wo uyobora ishirwa mu ngiro ry'uwo mugambi nyobozi, ukabifashwamwo n'umugwi w'abahinga usuzuma ko uwo mugambi uriko ushirwa mu ngiro nk'uko bitegekanijwe. Iyo nteguro rero ije muri iyo ntumbero.

Inama nshikiranganji ihejeje kwiheza iyo ntenguro yarayemeje ibanje kuyitosora.

7. **Integuro y'itegeko ryemeza amasezerano mfatiro yo gufashanya hagati ya Reta ya Zambiya na Reta y'Uburundi yashiriweko umukono i Lusaka kw'igenekerezo rya 14 Ruheshi 2024,**

yashikirijwe n'umushikiranganji w'ubudandandaji, gutwara abantu n'ibintu, amahinguriro n'ingenzi, mu kibanza c'umushikiranganji w'imigenderanire no gufashanya mw'iterambere yari hanze y'igihugu mu rugendo rw'akazi

Ayo **masezerano mfatiro** agaragaza ishaka ryo gutsimbataza no kwagura imigenderanire y'Igihugu ca Zambiya n'igihugu c'Uburundi kugira ngo ifatire ku vyo ivyo bihugu bikeneye hisunzwe kandi ubutunzi n'ubushobozi bwavyo.

Ku vyerekeye igihugu c'Uburundi, ayo masezerano ari mu ntumbero y'igihugu yo kugwiza abagenzi n'abo bafashanya mu bisata bifise ico birushije ibindi mw'iterambere ry'igihugu. Aya masezerano ni nk'umushinge uzokwubakirwako mu kuganira no gushira umukono ku masezerano mu bisata bitandukanye.

8. **Integuro y'itegeko ryemeza amasezerano yo kutarihisha uruhusha rwo kwinjira mu gihugu ku bafise impapuro w'inzira z'icubahiro hagati ya Reta ya Zambiya na Reta y'Uburundi yashiriweko umukono i Lusaka kw'igenekerezo rya 14 Ruheshi 2024,**



yashikirijwe n'umushikiranganji w'ubudandandaji, gutwara abantu n'ibintu, amahinguriro n'ingenzi, mu kibanza c'umushikiranganji w'imigenderanire no gufashanya mw'iterambere yari hanze y'igihugu mu rugendo rw'akazi

**Amasezerano yo kutarihisha uruhusha rwo kwinjira** mu gihugu kubafise impapuro w'inzira z'icubahiro, aje kworosha ingendo ku benegihugu b'Uburundi n'aba Zambiya bafise impapuro z'inzira z'icubahiro bava mu gihugu baja mu kindi. Ni intambwe ije yiyongera ku migenderanire yari isanzwe iri hagati y'ivyo bihugu bibiri.

Inama nshikiranganji yaremeje ayo masezerano ica isaba yuko ababijejwe bobandanya basaba yuko ayo masezerano yoshikira n'abafise izindi mpapuro z'inzira nk'akarorero iz'akazi.

9. **Integuro y'ibwirizwa ryemeza amasezerano ajanye no guhasha ububisha bw'inyuruzwa ry'indege (Amasezerano y'i La Haye yo mu mwaka wa 1970),**

   yashikirijwe n'umushikiranganji w'ubudandandaji, gutwara abantu n'ibintu, amahinguriro n'ingenzi

Inyuruzwa ry'indege ziri mu kirere rirabangamira umutekano w'abantu n'ibintu.

Mu ntumbero yo gukinga ubwo bubisha, vyabaye ngombwa ko hategekanywa ingingo zo guhasha ababikora. Ivyo bihano nta handi vyari guca atari muri aya masezerano.

Aya masezerano rero aje gutegekanya ibihano ku bakora ububisha bubangamira umutekano w'indege, abazigendesha hamwe n'ingenzi ziri muri izo ndege.
Inama nshikiranganji yaremeje ayo masezerano.

Bigiriwe i Bujumbura, igenekerezo rya 14 Munyonyo 2024

**Umunyamabanga mukuru wa Reta**

**Jérôme NIYONZIMA. -**



B.P. 2800 BUJUMBURA ; Téléphone : 22 21 27 47 ; Télécopie : 22 213545 ; E-mail : sge@burundi.gov.bi